# Imbwa Dave irahagaritswe umutima n'umugera Koronavirisi

Igitabu co mu rukurikirane Nurse Dotty Books



Harabaye igihuna citwa Dotty, kikaba cari umuganga yambara umwambaro w'utudorodomvyi twinshi.




Yakora mu bitaro biri hejuru ku musozi,
akurikirana abana bose barwaye.




Hafi ya Dotty, haba imbwa yitwa Dave, ikama yaramukije muganga Dotty buri gitondo.




Ariko igitondo kimwe Dave ntiyatwenga nk'uko yahora, kubera ko hariho icari kimuhagaritse umutima.



Haguma havugwa ibijanye n'umugera Koronavirisi ahantu hose, maze uko Dave avyumva bikamutera ubwoba cane.



Vyavugwa ku mboneshakure, i muhira no kw'ishure buri musi, bigatuma Dave yiyumvira ko ibintu vyose bigiye kuyangara.




Muganga Dotty yarabonye ko Dave afise uruhagarara, maze arahagarara kugira baganire.



Havugwa ibintu vyinshi bitandukanye kandi binateye ubwoba, nico gituma muganga Dotty yashatse kumenya neza ko Dave yoba azi ukuri.



Muganga Dotty araheza abwira Dave ko umugera koronavirisi ari indwara abantu bamwe bazorwara, ariko ko abantu benshi itazobasinzikaza.




Kuri benshi imeze nk'inkorora canke ibicurane barwara mu gihe hakanye cane, ariko dukwiye kuba maso kugira twikingire twongere dukingire abasanzwe bafise amagara atameze neza hamwe n'abageze mu za bukuru.



Dave  abajije ko vyoba ari ivy'ukuri ko umuntu wese akorora cane aba afise iyo ndwara, muganga Dotty yamubwiye ko gukorora ari kimwe mu bimenyetso vyayo ariko ko ushobora gukorora kandi ata mugera koronavirisi wanduye.



Umugera Koronavirisi ushobora gutera umuntu ubushuhe no guhema nabi, ariko kandi ivyo bisanzwe ari n’ibimenyetso vy'inkorora n'ibicurane.




Muganga Dotty aca avuga ko ikintu gihambaye Dave yoja arakora ari gukaraba iminwe, n'imiburiburi akamara amasegonda 20 ariko arakaraba canke akariririmba akariririmbo k'isabukuru incuro zibiri akiriko arakaraba.



Ivyo bizomufasha gushobora kutandura umugera koronavirisi, kandi nibwo buryo Dave yokoresha kugira ngo anakingire abandi bose.



Kugira ngo yirinde ingorane mu gihe yumvise atameze neza, Dave akwiye kuguma i muhira, ariko umuryango ukagumana nawe kugira ngo ntabe wenyene.




Mu gihe yoba yamanye n'abandi bantu bumva batameze neza, naho nyene akwiye kuguma muhira, hakaba hariho imfungurwa n'udukino hamwe n'ibindi vyo gukora.



Ibintu vyinshi vyari bitegekanijwe vyarahagaritswe kandi Dave ntazoshobora kuja mu karuhuko, kandi ashobora kutazobona abantu yahora abona kuko nabo bishobora gukenerwa ko baguma i muhira iwabo.



Amashure amwe n'utuguriro vyarugawe mu ntumbero yo guhagarika ko abantu benshi baba mu kibanza kimwe, ariko ntibizohora uko, ni kugira ngo bakingire abantu muri kino gihe.




Dave arafise inakuru kandi arazi ko ashaje; arahagaritswe umutima n'ivy'uwo mugera koronavirisi kuko yabwiwe ko ubangamira abantu nka inakuru.



Muganga Dotty yamubwiye ko uwo mugera ushobora kubangamira inakuru gusumba uko wobangamira Dave canke mushiki we, ari nayo mpamvu inakuru akwiye kuguma i muhira bakaza baramusanza ivyo akeneye aho ari.



Dave abajije ko mu gihe yofatwa n'umugera koronavirisi yoba akwiye kuja kuraba muganga Dotty ku bitaro, muganga Dotty yamusiguriye ko atariko yobigenza namba.



Igihe yoba yumva afise intege nke, i muhira nico kibanza kibereye kugumamwo, kiretse hari ubundi bufasha akeneye niho honyene yoja ku bitaro.




Muganga Dotty yasiguye ko ku mboneshakure n'ahandi hose abantu bazovuga vyinshi, ariko ko ivyo Dave yokwumva vyose ataco bitwaye kuko twiteguriye ivyo umugera Koronavirisi wozana vyose.



Iyo migambi yose yateguwe kugira ngo umuntu wese yame akingiwe, ivyo Dave yokwitwararika gusa ni kuguma atekanye kandi akibuka kwama akaraba iminwe.



Ubu rero Dave aramaze kumenya ukuri nta bwoba agifise, arazi ivyo akwiye gukora kugira ngo yame agavye.



Arazi ko akwiye kwama akaraba iminwe kandi ko yumvise acitse intege akwiye kuguma i muhira, ariko cane cane; arazi ko ibintu bitagiye kuyangara kuri we.



© Nurse Dotty Books 2020

Imbwa Dave irahagaritswe umutima n'umugera koronavirisi
Igitabu co mu rukurikirane Nurse Dotty Books
Canditswe kinahinyanyuririrwa amasanamu na Molly Watts

Uburenganzira bwose ni ubw'iwe. Ntivyemewe kurwiza iki gitabu canke ibigabane vyaco mu buryo ubwo ari bwo bwose, canke kugihanahana mu buryo ubwo ari bwo bwose – ngurukanabumenyi, mu mpapuro, mu masanamu, mu majwi kiretse hatanzwe uruhusha rwanditswe na Nurse Dotty Books.

Wipfuza kubaza canke kugira ico usavye wobaza:
Nurse Dotty Books
nursedottybooks@gmail.com
www.nursedottybooks.com

Iki gitabu ni igikorwa c'umugani ariko gifatiye ku vyo umwanditsi yagiye arabona/arumva nk'umuvuzi w'abana azwi n'amategeko. Amazina, abavugwamwo, ibibanza, ivyabaye hamwe n'ivyakozwe ni ibikorwa biva mu vyiyumviro vy'umwanditsi canke bigakoreshwa mu buryo bw'imigani. Intumbero y'iki gitabu ni kuba igitabu-mugani, si gutanga impanuro z'abaganga canke amakuru yo mu buryo bw'ubuvuzi. Nihaba hari ikindi mwipfuza kumenya gifatiye ku biri muri kino gitabu, nimwegere umuganga yabinonosoye.




TRANSLATION FINANCED BY WAR child